Igihe urwego rujejwe serivise z'imiryango Umukozi agendeye urugo rwawe

VERMONT
DEPARTMENT FOR CHILDREN AND FAMILIES
FAMILY SERVICES DIVISION

Ufise uburenganzira bwo:

- Saba kubona *ikarata y'umukozi iriko umwidondoro* imbere yo kumureka ngo aze mu nzu iwawe;
- Hamagara ibiro vy'igisata kijejwe serivise z'imiryango (FSD) kugira bemeze umwidondoro w'umukozi;
- Baza ibibazo nimba udatahura ivyo umukozi ariko akora canke agusaba gukora;
- Vuga oya hama usabe kuvugana n'umugenduzi w'umukozi nimba utaguwe neza n'ivyo uriko usabwa gukora;
- Saba kubona itegeko rya sentare nimba umukozi ashaka gukura umwana wawe imuhira; kandi
- Hamagara 911 canke inyamiramabi zo mu karere nimba wiketse umuntu yigize umukozi wa FSD.

Ushobora kwitega ibi bikurikira:

- Nimba umukozi ategerezwa kuzunguruka inzu yawe, azogusaba uruhusha. Nimba utaguwe neza n'ibi, umukozi azokuvugisha ibijanye n'intambwe zishoboka.
- Umukozi ashobora kukubaza ibibazo bijanye n'abagize umuryango wagutse, abagenzi, hamwe n'abandi bashobora kugufasha.
- Umukozi ashobora kukubaza agace k'impuzu k'umwana kovako canke akazikura kugira arabe ingene umwana yakomeretse. Ibi bizokorwa hari uwundi muntu akuze. Umukozi ashobora kugusaba ko ajana umwana kubonana n'umuganga.
- Umukozi ashobora gushaka kuvugana mu buryo bw'ibanga n'umwana wawe ibijanye n'ingene ibintu biriko bigenda. Umukozi *ntategerezwa* kuguma ari wenyene n'umwana wawe. Bashobora, nk'akarorero, kwicara ahandi hantu aho ushobora kubona umwana wawe utariko urumva ikiyago.

Ibiro vy'igisata kijejwe serivise z'imiryango

Umurongo: (802) 479-4260
Bennington: (802) 442-8138
Brattleboro: (802) 257-2888
Burlington: (802) 863-7370
Hartford: (802) 295-8840
Middlebury: (802) 388-4660
Morrisville: (802) 888-4576
Newport: (802) 334-6723
Rutland: (802) 786-5817
Springfield: (802) 885-8900
St. Albans: (802) 527-7741
St. Johnsbury: (802) 748-8374

Inyuma y'amasaha, mu mpera z'indwi, canke iminsi mikuru y'igihugu, hamagara kuri 1-800-649-5285.

http://dcf.vt.gov/fsd

9/14 • 10,000